REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

LOI N°1/ 06 DU 20 MAI 2026 PORTANT MODIFICATION DE LA LOI N°1/08 DU 23 AVRIL 2012 PORTANT ORGANISATION DU SECTEUR SEMENCIER VEGETAL

LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi n°1/142 du 27 août 1976 portant Ratification de la Convention instituant l'Organisation Mondiale de la Propriété Intellectuelle ;

Vu la Loi n°1/11 du 12 avril 2006 portant Ratification par la République du Burundi du Traité International sur les Ressources Phytogénétiques pour l'Alimentation et l'Agriculture ;

Vu la Loi n°1/42 du 30 décembre 2006 portant Adhésion du Burundi au Traité portant Création de la Communauté Est Africaine signé à Arusha le 30 novembre 1999 ;

Vu la Loi n°1/08 du 30 juin 2007 portant Ratification par la République du Burundi du Traité d'Adhésion du Burundi à la Communauté Est Africaine signé à Kampala en Ouganda le 18 juin 2007 ;

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

IBWIRIZWA INOMERO 1/ 06 RYO KU WA 29 RUSAMA 2026 RIHINDURA IBWIRIZWA INOMERO 1/08 RYO KU WA 23 NDAMUKIZA 2012 RITUNGANYA IGISATA KIJEJWE IVYEREKEYE IMBUTO Z'IBIMERA

UMUKURU W'IGIHUGU,

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/142 ryo ku wa 27 Myandagaro 1976 ryemeza Amasezerano ashiraho itunganywa kw'isi ry'ivyerekeye itunga mvabwenge ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/11 ryo ku wa 12 Ndamukiza 2006 ryerekeye iyemezwa ry'Amasezerano mpuzamakungu na Reta y'Uburundi ku vyerekeye inkomoko kamere y'ibifungurwa hamwe n'uburimyi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/42 ryo ku wa 30 Kigarama 2006 ryerekeye iyinjira ry'Uburundi mu Muryango w'ibihugu vya Afirika yo mu buseruko ryashizweko umukono kw'igenekerezo rya 30 Munyonyo 1999 i Arusha ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 30 Ruheshi 2007 ryerekeye iyemezwa na Reta y'Uburundi ry'Amasezerano ajanye n'iyinjira ry'Uburundi mu Muryango wa Afirika y'Ubuseruko yashizweko umukono kw'igenekerezo rya 18 Ruheshi 2007 i Kampala mu Buganda ;

Vu la Loi n° 1/13 du 28 juillet 2009 relative à la Propriété Industrielle au Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/13 ryo ku wa 28 Mukakaro 2009 ryerekeye itunga mvabwenge ry'ibihingurwa mu Burundi ;

Vu la Loi n° 1/03 du 4 janvier 2011 portant Système National de Normalisation, Métrologie, Assurance de la Qualité et Essais ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/03 ryo ku wa 4 Nzero 2011 rishinga ingene Uburundi bushiraho amategeko agenga ibidandazwa, hasuzumwa ko ibipimo bikwije ibisabwa n'amategeko, hagenzurwa akaranga k'ibidandazwa n'ingene hashirwaho ubuhinga bwo kubisuzuma ;

Vu la Loi n°1/22 du 25 juillet 2014 portant Réglementation de l'Action récursoire et Directe de l'Etat et des Communes contre leurs Mandataires et leurs Préposés ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/22 ryo ku wa 25 Mukakaro 2014 rishinga ingene Reta n'amakomine bishingisha urubanza rw'ukwishuza amafaranga yarishwe kubera amakosa yakozwe n'abo Reta yashinze amabanga, abakozi bayo n'ab'amakomine hamwe n'ingene izo nzego zibitwarira ;

Vu la Loi n°1/01 du 16 janvier 2015 portant Révision de la Loi n°1/07 du 26 avril 2010 portant Code de Commerce ;

Yihweje Ibwirizwa n°1/01 ryo ku wa 16 Nzero 2015 risubiramwo Ibwirizwa inomero 1/07 ryo ku wa 26 Ndamukiza 2010 rishinga Igitabu c'amategeko agenga ubudandaji ;

Vu la Loi n° 1/23 du 23 novembre 2017 portant Protection des Végétaux au Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/23 ryo ku wa 23 Munyonyo 2017 rikingira ibimera mu Burundi ;

Vu la Loi n° 1/27 du 29 décembre 2017 portant Révision du Code Pénal ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/27 ryo ku wa 29 Kigarama 2017 risubiramwo Igitabu c'amategeko mpanavyaha ;

Vu la Loi n°1/09 du 11 mai 2018 portant Modification du Code de Procédure Pénale ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 11 Rusama 2018 rihindura Igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa ;

Vu la Loi n°1/04 du 11 février 2021 portant Modification de la Loi n°1/08 du 11 mai 2018 portant Gestion des Pesticides au Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/04 ryo ku wa 11 Ruhuhuma 2021 rihindura Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 11 Rusama 2018 ryerekeye itunganywa ry'imiti y'ibiterwa mu Burundi ;

Vu la Loi n° 1/27 du 28 décembre 2023 portant Modification du Code de Procédure Civile ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/27 ryo ku wa 28 Kigarama 2023 rihindura Igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'amatati, ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa ;

Revu la Loi n° 1/08 du 23 avril 2012 portant Organisation du Secteur Semencier ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

PROMULGUE :

CHAPITRE I : DES DISPOSITIONS GENERALES

Section 1 : De l'objet et du champ d'application

Article 1 :
La présente loi a pour objet de structurer le secteur semencier pour répondre aux défis émergents et aligner le cadre légal sur les objectifs de développement durable et de sécurité alimentaire du pays.

Article 2 :
La présente loi poursuit les objectifs suivants :

1° aligner le cadre légal sur les objectifs à long terme de développement du pays ;

2° renforcer le cadre organique permettant de contribuer au développement de l'industrie semencière nationale en vue de produire des semences agricoles de haute qualité et en quantité suffisante ;

3° promouvoir la participation des opérateurs privés dans la production et la commercialisation des semences de haute qualité ;

Asubiye kwihweza Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 23 Ndamukiza 2012 ritunganya igisata kijejwe ivyerekeye imbuto ;

Inama Nshikiranganji imaze kubica irya n'ino ;

Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza ;

ATANGAJE :

IGICE CA I : IVYEREKEYE INGINGO NGENDERWAKO

Agace ka 1 : Intumbero y'iri bwirizwa n'ico ryerekeye

Ingingo ya 1 :
Iri bwirizwa rifise intumbero yo gutunganya igisata kijejwe ivyerekeye imbuto mu ntumbero yo gutorera umuti intambamyi zibonekeje no kuroranisha amategeko ku vyerekeye amahangiro yisungwa mw'iterambere rirama n'ayisungwa mu kuronka ibifungurwa ku rugero rukwiye mu gihugu.

Ingingo ya 2 :
Iri bwirizwa rifise intumbero zikurikira :

1° kuroranisha amategeko n'intumbero zisungwa mu kiringo kirekire mu bijanye n'iterambere ry'igihugu ;

2° gutsimbataza amategeko afasha guteza imbere amahinguriro y'imbuto mu gihugu kugira hagwizwe imbuto z'ubwoko bwiza kandi zikwiye ;

3° guhimiriza abikorera utwabo kuja mu bagwiza no mu badandaza imbuto z'ubwoko bwiza ;

4° clarifier les rôles et les responsabilités des différentes institutions publiques et parapubliques du secteur semencier ;

5° promouvoir la production et l'utilisation des semences améliorées au niveau local ;

6° promouvoir l'utilisation et la conservation des semences indigènes ;

7° améliorer le système national de commercialisation des semences ;

8° renforcer le système d'homologation variétale et de certification des semences agricoles ;

9° assurer la protection de l'obtenteur contre la contrefaçon ;

10° s'aligner sur les normes en matière de production et de commercialisation des semences certifiées des organisations régionales et internationales dont le Burundi est membre.

Article 3 :
La présente loi s'applique à la production et à la commercialisation des semences agricoles certifiées.

Sont exclues du champ d'application, les semences issues des organismes génétiquement modifiés.

Section 2 : Des définitions

Article 4 :
Au sens de la présente loi, on entend par :

1° **catalogue national des espèces et variétés :** un registre dans lequel sont inscrites les variétés admises à la certification ;

4° gutomora uruhara rw'amashirahamwe atandukanye ya Reta n'ayegamiye Reta akorera mu gisata kijejwe ivyerekeye imbuto hamwe n'ivyo abazwa ;

5° guteza imbere mu gihugu ibijanye n'ukugwiza imbuto zongererejwe akaranga hamwe n'ukuzikoresha ;

6° guteza imbere ibijanye n'ugukoresha imbuto kama hamwe n'ukuzibungabunga ;

7° guteza imbere ibijanye n'ingene urudandazwa rw'imbuto rutunganijwe mu gihugu ;

8° gukomeza uburyo bw'ukwemeza ubwoko bw'imbuto zirimwa ;

9° gukingira uwahinguye canke uwubuye ubwoko bw'imbuto kugira ntihagire uwubwigana ;

10° kwisunga amategeko akurikizwa n'amashirahamwe yo mu karere n'ayo ku rwego mpuzamakungu Uburundi burimwo mu vyerekeye ukugwiza n'ukudandaza imbuto zemejwe.

Ingingo ya 3 :
Iri bwirizwa rikurikizwa ku bikorwa vy'ukugwiza n'urudandaza rw'imbuto zemejwe.

Ibitari mu vyo iri bwirizwa ryerekeye ni imbuto zavuye mu bikomoka ku binyabuzima vyahinduwe muri kamere nkomoko kavyo.

Agace ka 2 : Insiguro y'amajambo

Ingingo ya 4 :
Muri iri bwirizwa, amajambo akurikira asigura :

1° **igitabu c'itororokanirizo ry'imiryango n'ubwoko bw'imbuto vy'igihugu** ni igitabu candikwamwo ubwoko bw'imbuto zemejwe ;

2° **certificat d'analyse des semences :** un document délivré par l'Office National de Contrôle et de Certification des Semences, « ONCCS » en sigle, attestant que les cultures identifiées sont conformes aux normes de certification pour la catégorie désignée ;

3° **certification semencière** : un ensemble de procédures, de méthodes et de techniques permettant de garantir la qualité des semences durant le processus de multiplication et d'assurer que l'identité variétale, la pureté variétale, la pureté technologique et l'état sanitaire de la semence soient maintenus et protégés ;

4° **compagnie semencière** : toute société légalement constituée et spécialisée dans la sélection, la production et la commercialisation de semences agricoles ;

5° **droits d'obtenteurs** : des droits de propriété intellectuelle octroyés aux personnes qui obtiennent, découvrent et développent de nouvelles variétés de plantes à condition que la variété soit nouvelle, distincte, homogène et stable ;

6° **emballage** : tout contenant, sac, boîte, bidon, récipient, caisse, enveloppe, sachet ou tout autre contenant dans lequel les semences sont conservées ;

7° **entrepreneur semencier** : une personne physique ou morale agréée et spécialisée dans la production et la vente de semences ;

8° **étiquette** : un affichage d'une information écrite ou imprimée renseignant sur la qualité et l'origine d'un lot de semences ;

2° **urupapuro rwemeza ko imbuto zasuzumwe** ni urwandiko rutangwa n'ikigo c'igihugu kijejwe ugusuzuma n'ukwemeza imbuto « ONCCS » mu mpfunyapfunyo y'igifaransa rwemeza ko ibiterwa vyatororokanijwe vyisunga ibifatirwako mu kwemeza imbuto ku mugwi kanaka ;

3° **ukwemeza imbuto** ni ibikurikizwa vyose, uburyo n'ubuhinga bwose bituma imbuto zimera neza mu kiringo c'ukuzigwiza, bigatuma kandi ibiziranga, ivyemeza ko zitataye akaranga, ivyemeza ko ubuhinga bwakoreshejwe ata kanenge bufise n'ivyemeza ko ata ngwara zifise bitegerezwa kubungabungwa n'ugukingirwa ;

4° **ishirahamwe ngwizambuto** ni ishirahamwe ryose rishingwa hisunzwe amategeko kandi rifise ubuhinga ryisangije mu bijanye n'ukurobanura imbuto ndimwa, ukuzigwiza n'ukuzidandaza ;

5° **uburenganzira bw'uwahinguye canke uwubuye ubwoko bw'imbuto** ni uburenganzira bw'itunga mvabwenge buhabwa abantu batoye, bubuye kandi bagwijije ubwoko bushasha bw'ibiterwa, ivyo bikagirwa ari uko ubwo bwoko ari bushasha, butandukanye n'ubundi, butavanze kandi budata akaranga ;

6° **igitekerwamwo** ni ico cose gishirwamwo ibintu, umufuko, akabweta, ikidumu, icombo, isandugu, ibahasha, isaho canke ikintu cose imbuto zibikwamwo ;

7° **uwugwiza imbuto akongera akazigurisha** ni umuntu canke ishirahamwe ryemerewe gukora rifise ubuhinga ryiharije mu kugwiza no mu kugurisha imbuto ;

8° **ikimenyetso kimadikwa ku gitekerwamwo imbuto** ni urwandiko rumadikwa ku gitekewemwo imbuto rukamenyesha akaranga n'inkomoko yazo ;

9° **germoplasme végétal** : un ensemble des ressources génétiques telles que les semences, les tissus et les séquences d'Acide désoxyribonucléique, ADN en sigle, qui sont conservées à des fins de sélection végétale, d'efforts de conservation, d'agriculture et d'autres utilisations de recherche ;

10° **industrie semencière agricole** : une chaîne de valeur du secteur semencier modernisé, organisé depuis la recherche, la production, la certification, l'approvisionnement jusqu'à la commercialisation des semences agricoles ;

11° **inspecteur semencier** : un agent public du secteur semencier chargé de veiller à la qualité et à la conformité des semences ;

12° **inspecteur semencier accrédité** : un agent privé du secteur semencier compétent mandaté par l'ONCCS pour effectuer de façon indépendante des inspections de semences au nom de l'Office qui l'a mandaté selon des normes et des protocoles établis ;

13° **lignée pure** : une lignée phylogénétique qui maintient ses caractères constants au fil des générations de la reproduction sexuée ;

14° **liste des variétés éligibles** : une liste comprenant les variétés admises à la certification ;

15° **lot de semences** : une quantité de semences homogènes notamment en ce qui concerne l'identité et la pureté variétale et spécifique, la faculté germinative, l'état sanitaire et la teneur en eau ;

9° **agahimba nkomoko k'igiterwa** ni ico cose gifise kamere nkomoko y'ikinyabuzima nk'imbuto, uduhimba tw'imbuto n'uduce tw'akamere k'akaranga nkomoko bibitswe mu ntumbero y'ukurobanura ibiterwa, ukubishingura ku buhinga, ukubirima n'ukubikoresha mu bushakashatsi ;

10° **uruganda rw'ibijanye n'imbuto ndimwa** ni urunani rwunganirana mu gisata c'ivyerekeye imbuto gikoresha ubuhinga bugezweho, gitunganijwe kuva ku bikorwa vy'ubushakashatsi ku mbuto ndimwa, ukuzigwiza, ukuzemeza, ukuzironka hamwe n'ukuzidandaza ;

11° **umugenduzi w'imbuto** ni umukozi wa Reta wo mu gisata kijejwe ivyerekeye imbuto ashinzwe gukurikirana akaranga k'imbuto n'uko zikwije ibisabwa ;

12° **umugenduzi w'imbuto yabiherewe uruhusha** ni umukozi yikorera utwiwe wo mu gisata kijejwe ivyerekeye imbuto abifitiye ububasha yatumwe n'ikigo ONCCS kugendura mu bwigenge imbuto kw'izina ry'ikigo ONCCS camutumye hisunzwe amategeko n'amasezerano yashinzwe ;

13° **ibikomokanako bitavanze** ni urukurikirane rw'ibikomokanako, akaranga kavyo kadahinduka uko imbuto zigenda zirakomokanako biciye mu guhuza imbuto ngabo na ngore ;

14° **urutonde rw'ubwoko bw'imbuto bushobora kwemezwa** ni urutonde rurimwo ubwoko bw'imbuto zemejwe ;

15° **umuturi w'imbuto** ni urugero rw'imbuto zitavanze nko mu vyerekeye ibiziranga, ukugumana akaranga zisangije, urugero rwo gushobora kumera, indwara zoba zifise n'urugero rw'amazi ari muri zo ;

16° **mainteneur d'une variété** : une personne physique ou morale qui assume la responsabilité du maintien du matériel végétal vivant (semences ou plants) permettant la reproduction de la variété conforme à son identité telle qu'elle a été établie au moment de son inscription ;

17° **noyaux de semences** : des semences utilisées pour maintenir la pureté des semences de souches par le sélectionneur en petite quantité et obtenue par une sélection très rigoureuse ;

18° **obtenteur** : une personne physique ou morale qui a créé ou qui a découvert et mis au point une nouvelle variété végétale, organisme génétiquement modifié, un organisme vivant (micro-organisme, végétal ou animal) dont le génome a été modifié artificiellement par la technique de génie génétique ;

19° **producteur de semences** : toute personne physique ou morale agréée, privée, publique ou mixte, qui a comme activité principale ou accessoire la production des semences destinées à la commercialisation ;

20° **semence** : tout organe végétal destiné à la propagation végétale en général tels que les graines, les plants entiers, les éclats de souche servant à la reproduction des plantes vivrières, industrielles, fourragères, horticoles, sylvicoles ou autres ;

21° **semences de première génération** : tout matériel de départ à savoir les mini-tubercules de pomme de terre et les noyaux de semences pour les graines et les semences de souche ;

16° **uwubungabunga ubwoko bw'imbuto** ni umuntu canke ishirahamwe ribazwa ibijanye n'ukubungabunga agahimba k'ikikinyabuzima kimera (imbuto canke imivyaro) bituma hagwizwa ubwoko bw'imbuto hisunzwe akaranga kabwo nkuko bwari bumeze mu gihe c'ukubwandikisha ;

17° **intimatima z'imbuto** ni imbuto zikoreshwa n'uwujejwe kurobanura imbuto kugira abungabunge akaranga k'imbuto nkomoko ku rugero ruto kandi ziboneka akoresheje uburyo buhanitse bw'ukurobanura ;

18° **uwahinguye canke uwubuye ubwoko bw'imbuto** ni umuntu canke ishirahamwe yahinguye canke yubuye ubwoko bushasha bw'ibimera, ikinyabuzima cahinduwe kamere nkomoko, ikinyabuzima (utunyabuzima tutaboneka n'amaso, ikimera canke igikoko) gifise uduhimba twerekana akamere nkomoko k'ikinyabuzima hakoreshejwe ubuhinga buhanitse bujanye n'ukurondoka ;

19° **umugwizambuto** ni umuntu wese canke ishirahamwe ryose ryemerewe gukora, ryaba iry'abikorera utwabo, irya Reta canke iryo Reta n'abikorera utwabo basukiranije imitahe, rifise umurimo nyamukuru wo kugwiza imbuto zigenewe kudandazwa canke rikawufatanya n'iyindi mirimo ;

20° **Imbuto** ni agahimba k'ikimera kagenewe igwirirana ry'ibimera muri rusangi nk'intete, imivyaro, uduhimba nkomoko tugenewe kugwiza ibiterwa mbumbarugo, njabukamazi, ubwatsi bw'ibitungwa, ibiterwa vy'imboga, vy'amashurwe n'ivyamwa, ibiti vy'amashamba n'ibindi ;

21° **imbuto z'ibanze** ni imbuto za mbere zikomoka ku biterwa vyamira mu kuzimu nk'uturaya dutoduto tugenewe imbuto n'intimatima z'imbuto ku binyantete hamwe n'imbuto nkomoko ;

22° **semences de souches ou parentales** : des semences utilisées pour démarrer la production d'une culture admissible à la certification ;

22° **imbuto nkomoko canke mvyeyi** ni imbuto zikoreshwa mu gutangura kugwiza umwimbu w'igiterwa gishobora kwemezwa ;

23° **valeur agronomique et technologique** : des valeurs déterminées selon un protocole approuvé en comparant avec des variétés témoins pour la productivité, les facteurs intervenant dans l'expression du rendement et les caractéristiques technologiques d'une variété ;

23° **agaciro k'imbuto n'akaranga kazo mu vyerekeye uburimyi n'ubuhinga** ni ibiharuro bitomorwa hisunzwe ibitegerezwa gukurikizwa vyemejwe mu kugereranya imbuto n'izindi zifatirwako mu bijanye n'ingene zimbuka, ibifatirwako mu guharura urugero rw'umwimbu hamwe n'ibiranga ubwoko bw'imbuto ;

24° **variété** : un ensemble de plantes cultivées qui peuvent être différenciées des autres de la même espèce par certains caractères morphologiques, physiologiques, chimiques ou autres et qui transmettent ces caractères distinctifs par la reproduction sexuée ou asexuée ;

24° **ubwoko bw'imbuto** ni ibiterwa vyose birimwa bishobora gutandukanywa n'ibindi bisangiye umuryango hafatiwe kuri bimwe bimwe vyerekana ingene bimeze, ingene bisa, ibibigize canke ibindi kandi bigahanahana ibibiranga biciye mw'irondoka ry'imbuto riciye mu guhuza imbuto ngabo na ngore canke hatabanje guhuzwa imbuto ngabo na ngore ;

25° **variété distincte** : une variété qui se distingue nettement par un ou plusieurs caractères morphologiques ou autres caractères importants de toute variété inscrite ou présentée au catalogue national des espèces et variétés ;

25° **ubwoko bw'imbuto butandukanye n'ubundi** ni ubwoko bw'imbuto butandukanye n'ubundi ufatiye kuri kimwe canke vyinshi biranga uko bumeze canke ku bindi biranga ubwoko **ubwo ari bwo** bwose bwanditswe canke bwerekanywe mu gitabu c'igihugu c'itororokanirizo ry'imiryango n'ubwoko bw'imbuto ;

26° **variété homogène** : une variété suffisamment uniforme dans l'expression de ses caractères pertinents, sous réserve de variation prévisible compte tenu des particularités de sa reproduction sexuée ou sa multiplication végétative ;

26° **ubwoko bw'imbuto zitavanze** ni ubwoko bw'imbuto zisa ufatiye ku biziranga biboneka, hatirengagijwe ko zishobora guhinduka kubera igwizwa ryazo canke imivyaro biciye mu mashurwe canke mu gutera ingegene z'imivyaro ;

27° **variété hybride** : une variété obtenue par croisement de deux variétés ou lignées pures différentes d'une même espèce de plante ;

27° **ubwoko bw'imbuto zivanze** ni ubwoko buboneka havanzwe ubwoko bubiri canke ubwoko nkomoko butandukanye bw'igiterwa co mu muryango umwe ;

28° **variété protégée** : une variété protégée par des droits d'obtenteur ;

29° **variété stable** : une variété qui conserve ses caractères pertinents à la suite d'un certain nombre de multiplications ou reproductions successives ;

30° **vendeur de semences** : toute personne ou toute entreprise légalement constituée et agréée qui se spécialise dans la vente de semences agricoles aux agriculteurs.

28° **ubwoko bw'imbuto zikingiwe** ni ubwoko bw'imbuto zikingiwe n'uburenganzira bw'uwazihinguye canke uwazubuye ;

29° **ubwoko bw'imbuto zidata akaranga** ni ubwoko bw'imbuto zigumana akaranga kazo kaguma kigaragaza n'aho zoba zimaze guterwa akatari gake ;

30° **Uwugurisha imbuto** ni umuntu wese canke ishirahamwe ryose ryashinzwe hisunzwe amategeko kandi ryemerewe gukora umwuga w'ukugurisha imbuto ndimwa ku barimyi.

CHAPITRE II : DU CADRE INSTITUTIONNEL

Article 5 :
Le ministère en charge de l'agriculture dans ses attributions est l'organe chargé de mettre en œuvre les politiques et les stratégies nationales en matière semencière.

Article 6 :
La Commission nationale semencière est un organe consultatif qui assure la coordination de toutes les activités semencières. Elle assiste et conseille le ministre ayant l'agriculture dans ses attributions sur toutes les questions relatives à la politique nationale semencière.

La Commission nationale semencière est composée de manière à assurer la représentation équilibrée de tous les acteurs du secteur semencier.

Elle peut comprendre autant de sous-commissions que de besoin entre autres le comité de gestion des plaintes à caractère urgent dont la composition, les missions et le fonctionnement sont déterminés par une ordonnance du ministre ayant l'agriculture dans ses attributions.

Les missions, la composition et les modalités de fonctionnement de la commission sont déterminées par décret.

IGICE CA II : IVYEREKEYE INZEGO

Ingingo ya 5 :
Ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo uburimyi ni urwego rujejwe gushira mu ngiro poritike n'indinganizo zirashe vy'igihugu mu bijanye n'imbuto.

Ingingo ya 6 :
Umugwi w'igihugu ujejwe ivyerekeye imbuto ni urwego mpanuzwajambo rukurikiranira hafi ibikorwa vyose bijanye n'imbuto. Rurunganira kandi rugahanura umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi ku bibazo vyose vyerekeye Poritike y'igihugu mu bijanye n'imbuto.

Umugwi w'igihugu ujejwe ivyerekeye imbuto ugizwe n'abafatanyabikorwa bose bo mu gisata kijejwe ivyerekeye imbuto ku buryo baserukirwa ku rugero rungana.

Uwo mugwi ushobora kugirwa n'iyindi migwi, igitigiri cayo kikavana n'iyiba ikenewe nka komite ntunganyabikorwa ijejwe gutorera umuti imyidogo yadutse mu buryo bwihuta, abagize iyo migwi, imirimo yayo n'ingene ikora bishingwa n'itegeko ry'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi.

Imirimo uwo mugwi ushinzwe, abawugize n'ingene ukora bitomorwa n'Itegeko ry'Umukuru w'igihugu.

Article 7 :
L'Institut des Sciences Agronomiques du Burundi assure l'administration et la coordination des établissements de la recherche et d'expérimentation en matière de production de semences de première génération.

Ingingo ya 7 :
Igisata c'ubuhinga mu bijanye n'uburimyi mu Burundi gishinzwe ivyerekeye intwaro n'ugukurikiranira hafi ibigo vy'ubushakashatsi n'ukugerageza ibijanye n'ukugwiza imbuto z'umwimbu wa mbere.

Article 8 :
L'Office National de Contrôle et de Certification des Semences est chargé de l'homologation et de l'inscription au catalogue national des espèces et des variétés admises à la production et à la certification semencière, dans le but de garantir que les semences produites ou introduites au Burundi satisfont aux normes de qualité.

Ingingo ya 8 :
Ikigo c'igihugu kijejwe gusuzuma n'ukwemeza imbuto gishinzwe kwemeza n'ukwandika mu gitabu c'Igihugu ubwoko bwemerewe kandi bwemejwe mu ntumbero yo kwizeza ko imbuto zigwizwa canke zinjijwe mu Burundi zikwije amategeko.

Article 9 :
Le Comité technique national d'homologation des variétés est un organe technique chargé de l'homologation, de la validité des tests valeur agronomique et technologique et distinction, homogénéité et stabilité.

Ingingo ya 9 :
Umugwi w'abahinga ujejwe kwemeza ubwoko bw'imbuto mu gihugu ni urwego rw'abahinga rujejwe kwemeza, ikiringo c'ibipimo vyakozwe mu bijanye n'agaciro k'imbuto n'akaranga kazo mu vyekeye uburimyi n'ubuhinga hamwe n'ubwoko bw'imbuto butandukanye n'izindi, zitavanze kandi zidata akaranga.

CHAPITRE III : DU CONTROLE DE LA QUALITE ET DE LA CERTIFICATION DES SEMENCES

IGICE CA III : IVYEREKEYE UGUSUZUMA AKARANGA K'IMBUTO HAMWE N'UKUZEMEZA

Article 10 :
Le contrôle et la certification de semences sont assurés par l'Office National de Contrôle et de Certification des Semences conformément au décret qui l'a institué.

Le ministre ayant l'agriculture dans ses attributions fixe, par ordonnance, le système de certification des semences au Burundi.

L'ONCCS est le seul organe habilité à délivrer un certificat des semences après les procédures de contrôle et de certification de semences concluantes.

Ingingo ya 10 :
Ikigo c'igihugu kijejwe gusuzuma n'ukwemeza imbuto cashinzwe hisunzwe Itegeko ry'Umukuru w'igihugu ni co kijejwe gusuzuma n'ukwemeza imbuto.

Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi arashinga, biciye mw'itegeko nshikiranganji, ingene imbuto zemezwa mu Burundi.

Ikigo ONCCS ni rwo rwego rwo nyene muri iki gisata kijejwe ivyerekeye imbuto rufise ububasha bw'ugutanga urupapuro rwemeza imbuto habanje gukurikizwa ibisabwa bijanye n'ugusuzuma hamwe n'ukwemeza imbuto ziba zikwije ibisabwa.

Article 11 :
L'ONCCS est doté d'un laboratoire national chargé de l'analyse de la qualité des semences.

Ingingo ya 11 :
Ikigo ONCCS kirafise isuzumiro ry'igihugu rijejwe gusuzuma akaranga k'imbuto.

Article 12 :
Les agents de l'ONCCS sont chargés du contrôle de la qualité des semences à tous les stades de la production, du conditionnement, du transport et de la commercialisation des semences.

Ingingo ya 12 :
Abakozi b'ikigo ONCCS bajejwe gusuzuma akaranga k'imbuto ku ntambwe zose zo kugwiza imbuto, ukuzitekera, ukuzunguruza, n'ukuzidandaza.

Les agents inspecteurs de l'ONCCS ou les inspecteurs accrédités sont habilités à visiter les parcelles de multiplication des semences, les centres de conditionnement, les locaux de stockage et d'emmagasinage et à procéder à l'examen des documents détenus par les intéressés autant de fois que nécessaire. Ils sont habilités également à prélever des échantillons pour les analyses de laboratoire.

Abagenduzi b'ikigo ONCCS canke abagenduzi babiherewe uruhusha barafise ububasha bwo kugendura imirima irwirizwamwo imbuto, ibigo zitekererwamwo, inyubakwa zegeranirizwamwo n'aho zibikwa kandi bararekuriwe gusuzuma inzandiko zifiswe n'abo vyega igihe cose bikenewe. Barafise ububasha kandi bwo gutora imbuto nkeyi zigirwako ubushakashatsi mw'isuzumiro.

L'ONCCS établit la liste des entrepreneurs, des sociétés ou des compagnies semencières admise à la certification et procède au contrôle de la qualité de leurs semences.

Ikigo ONCCS kiragira urutonde rw'abagwizambuto canke urw'amashirahamwe rwemerewe kwemezwa kandi kigaca gisuzuma akaranga kazo.

Les activités de contrôle aux champs, de l'échantillonnage et des analyses au laboratoire peuvent être déléguées partiellement ou en totalité à toute personne physique ou morale compétente, à travers un système d'accréditation dont les modalités sont fixées par ordonnance, après avis favorable de la Commission nationale semencière.

Ibikorwa vy'ugusuzuma imbuto zitewe mu mirima, ivy'ugutora imbuto nkeyi n'ivy'ukuzigirako ubushakashatsi mw'isuzumiro, bishobora, bimwe bimwe canke vyose, gushingwa umuntu wese canke ishirahamwe ryose ribishoboye, bibanje kwemezwa hisunzwe ibikurikizwa bishingwa n'itegeko nshikiranganji Umugwi w'igihugu ujejwe ivyerekeye imbuto umaze kuvyemeza.

Article 13 :
Les agents de l'Office National de Contrôle et de Certification des Semences et de la direction en charge des semences et plants chargés du suivi et du contrôle de la qualité des semences sont dotés d'une carte d'officier de police judiciaire à compétence restreinte.

Ingingo ya 13 :
Abakozi b'ikigo c'igihugu kijejwe ugusuzuma n'ukwemeza imbuto n'abo mu buyobozi bujejwe ivyerekeye imbuto n'imivyaro basanzwe bajejwe gukurikirana n'ugusuzuma ibijanye n'akaranga k'imbuto bararonswa ikarata ibaha ububasha nk'ubw'inyamiramabi ariko ubwo bubasha bukaba bufise aho bugarukira.

Article 14 :
Tout producteur ou entrepreneur semencier qui désire adhérer au système de certification officielle des semences doit introduire une demande à l'Office National de Contrôle et de Certification de Semences.
Seuls les producteurs ou les entrepreneurs semenciers agréés peuvent faire certifier les semences par l'ONCCS.

Article 15 :
Une ordonnance du ministre ayant l'agriculture dans ses attributions détermine les conditions d'agrément d'un producteur ou entrepreneur semencier.

Article 16 :
Le ministre ayant l'agriculture dans ses attributions détermine par ordonnance, sur proposition de la Commission nationale semencière, les variétés à soumettre à une certification obligatoire et celles qui bénéficient d'une certification volontaire.

Article 17 :
La certification des semences donne lieu au paiement d'une redevance dont le montant et les modalités d'acquittement sont fixés par une ordonnance conjointe des ministres ayant respectivement l'agriculture et les finances dans leurs attributions.

Ingingo ya 14 :
Umugwizambuto wese yipfuza kuja mu bagwizambuto bazwi n'amategeko ategerezwa kubisaba ikigo c'igihugu kijejwe gusuzuma n'ukwemeza imbuto.

Abagwizambuto bavyemerewe ni bo bonyene bashobora gusaba ko imbuto zemezwa n'ikigo ONCCS.

Ingingo ya 15 :
Itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi riratomora ibisabwa kugira umugwizambuto yemererwe gukora.

Ingingo ya 16 :
Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi aratomora biciye mw'itegeko nshikiranganji, abisabwe n'Umugwi w'Igihugu ujejwe ivyerekeye imbuto, ubwoko bw'imbuto butegerezwa gusabirwa kwemezwa hamwe n'ubusabirwa kwemezwa ku gushaka.

Ingingo ya 17 :
Ukwemezwa kw'imbuto birarihirwa amafaranga, igitigiri cayo n'ingene arihwa bigashingwa n'itegeko rusangi rishirwako umukono n'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi hamwe n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ikigega ca Reta.

CHAPITRE IV : DU CATALOGUE NATIONAL DES ESPECES ET VARIETES ET DU COMITE TECHNIQUE NATIONAL D'HOMOLOGATION DES VARIETES

Section 1 : Du catalogue national des espèces et variétés

Article 18 :
Les espèces et variétés agricoles au Burundi sont déterminées par une ordonnance du ministre ayant l'agriculture dans ses attributions. Pour être inscrite au catalogue, une variété doit être distincte stable et suffisamment homogène. Elle doit en outre posséder une valeur agronomique et technologique suffisante pour l'agriculture.

Article 19 :
Le catalogue national des espèces et variétés agricoles comporte deux listes :

1° La liste A regroupe les variétés entièrement homologuées. Ces variétés doivent satisfaire à tous les critères officiels d'homologation, à savoir la distinction, l'homogénéité et la stabilité (DHS) ainsi qu'aux critères de valeur agronomique et technologique (VAT).

Ces variétés peuvent être produites, certifiées et commercialisées librement ; ce sont des variétés recommandées pour une utilisation agricole à grande échelle.

IGICE CA IV : IVYEREKEYE IGITABU C'ITOROROKANIRIZO RY'IMIRYANGO N'UBWOKO BW'IMBUTO VY'IGIHUGU N'IVYEREKEYE KOMITE Y'ABAHINGA IJEJWE KWEMEZA UBWOKO BW'IMBUTO MU GIHUGU

Agace ka 1 : Igitabu c'itororokanirizo ry'imiryango n'ubwoko bw'imbuto vy'igihugu

Ingingo ya 18 :
Kugira umuryango n'ubwoko bw'imbuto bwandikwe mu gitabu c'itororokanirizo, butegerezwa kuba butandukanye n'ubundi, budata akaranga kandi butavanze na gato. Vyongeye butegerezwa kandi kuba bufise agaciro n'akaranga kabwo bikwiye mu vyerekeye uburimyi n'ubuhinga. Itegeko nshikiranganji rirerekana imiryango n'ubwoko bw'imbuto ndimwa mu Burundi bitegerezwa kwandikwa mu gitabu c'itororokanirizo ry'imiryango n'ubwoko bw'imbuto vy'igihugu.

Ingingo ya 19 :
Igitabu c'itororokanirizo ry'imiryango n'ubwoko bw'imbuto vy'igihugu kigizwe n'intonde zibiri :

1° Urutonde A rurimwo ubwoko bw'imbuto zemejwe. Ubwo bwoko bw'imbuto butegerezwa kuba bukwiza ibisabwa vyose kugira bwemezwe ari vyo vyerekeye kwitandukanya n'ubundi bwoko, kuba zisa kandi zidahindagurika ndetse zikaba zifise akanovera.

Ubwo bwoko bw'imbuto bushobora kurimwa, kwemezwa no kudandazwa atankomanzi ; ni imbuto zihimirizwa kurimwa ku rugero runini.

2° La liste B regroupe les variétés qui sont encore en observation ou à diffusion limitée. Elles peuvent être en cours d'évaluation ou avoir un intérêt spécifique (adaptation locale, conservation de la biodiversité).

Leur commercialisation est souvent restreinte ou encadrée par les services habiletés.

Section 2 : Du Comité technique national d'homologation des variétés

Article 20 :
Le ministre ayant l'agriculture dans ses attributions désigne un Comité technique national d'homologation des variétés.

Il précise également les missions, la composition et les modalités de fonctionnement du Comité.

Article 21 :
Le Comité technique national d'homologation des variétés est un organe d'arbitrage technique en cas de conflits des essais d'homologation en cours et des essais post contrôle. Il rend compte à la Commission nationale semencière.

Article 22 :
Le Comité technique national d'homologation des variétés analyse et valide les résultats des tests des variétés proposées pour homologation sur base de critères qui sont fixés par ordonnance relative à l'inscription au catalogue national des espèces et des variétés cultivées au Burundi.

Article 23 :
Les modalités d'homologation, d'inscription et de radiation des espèces et variétés au catalogue national sont déterminées par l'ordonnance évoquée à l'article 22.

2° Urutonde B rurimwo ubwoko bw'imbuto zikiriko zirageragezwa canke zitarakwiragizwa ku rugero rushimishije. Ubwo bwoko bw'imbuto burashobora kuba buri mw'isuzumwa canke bufise akamaro bwiharije (bikunda mu karere kiharijwe, kubika ibinyabuzima).

Urudandaza rwazo ntirwugururiwe benshi kandi rukurikiranirwa hafi n'ababijejwe.

Agace ka 2 : Komite y'abahinga ijejwe kwemeza ubwoko bw'imbuto mu gihugu

Ingingo ya 20 :
Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi aragena Komite y'abahinga ijejwe kwemeza ubwoko bw'imbuto mu gihugu.

Aratomora kandi imirimo iyo Komite ishinzwe, abayigize n'ingene ikora.

Ingingo ya 21 :
Komite y'abahinga ijejwe kwemeza ubwoko bw'imbuto mu gihugu ni urwego rujejwe gutatura amatati mu gihe co kugerageza kwemeza ubwoko bw'imbuto no mu gihe co kuzigerageza inyuma y'isuzuma. Irashikiriza icegeranyo Umugwi w'igihugu ujejwe ivyerekeye imbuto.

Ingingo ya 22 :
Komite y'abahinga ijejwe kwemeza ubwoko bw'imbuto mu gihugu irihweza ikongera ikemeza ivyavuye mu bipimo vy'igeragezwa ry'ubwoko bw'imbuto bwashikirijwe kugira bwemezwe hisunzwe ibifatirwako bishingwa n'itegeko rijanye n'ukwandikisha imbuto mu gitabu c'igihugu c'itororokanirizo ry'imiryango n'ubwoko bw'imbuto mu Burundi.

Ingingo ya 23 :
Ibikurikizwa mu kwemeza imiryango n'ubwoko bw'imbuto, ukuzandika n'ukuzifuta mu gitabu c'igihugu, bitomorwa n'itegeko nshikiranganji ryavuzwe mu ngingo ya 22.

Article 24 :
Sous réserve des dispositions légales pertinentes, spécialement la loi relative à la propriété industrielle, les variétés étrangères sont soumises, notamment en ce qui concerne la procédure d'inscription, aux mêmes conditions que celles appliquées aux variétés nationales.

Une variété provenant d'un pays étranger doit porter la même dénomination que celle du pays d'origine. Dans le cas contraire, la dénomination d'origine est également portée au catalogue.

Ingingo ya 24 :
Hatirengagijwe ibitegekanijwe n'amategeko avyerekeye, na cane cane ibwirizwa ryerekeye itunga mvabwenge ryerekeye ibihingurwa, ubwoko bw'imbuto mvamahanga bwandikishwa hisunzwe ibisanzwe bisabwa mw'iyandikwa ry'ubwoko bw'imbuto bwo mu gihugu.

Ubwoko bw'imbuto mvamahanga butegerezwa kugumana izina ryo mu gihugu bukomokamwo. Iryo zina rihinduwe na ho, izina bwari busanganywe mu gihugu bukomokamwo rirandikwa na ryo nyene mu gitabu c'itororokanirizo.

Article 25 :
Les variétés homologuées dans l'un des pays de la Communauté d'Afrique de l'Est ou du Marché Commun de l'Afrique Orientale et Australe sont soumises à un seul cycle d'essais si les résultats des tests sont concluants ou à deux cycles d'essais une fois les données issues du premier cycle ne sont pas satisfaisantes.

Les variétés dont l'origine est en dehors de la Communauté d'Afrique de l'Est ou du Marché Commun de l'Afrique Orientale et Australe, deux cycles d'essais sont suffisants pour présenter les résultats à l'homologation.

Toutefois, les essais d'homologation des variétés sont conjointement menés par l'Institut national de recherche agronomique et l'Office national en charge de l'homologation.

Ingingo ya 25 :
Ubwoko bw'imbuto bwemejwe mu gihugu kimwe mu bigize Umuryango wa Afirika y'ubuseruko canke Ishirahamwe ry'Ibihugu vyo mu buseruko no mu bumanuko bw'Afirika bigize isoko rusangi bugeragezwa mu kurimwa incuro imwe gusa iyo ivyavuye mu bipimo vy'ukugerageza basanze bishimishije, canke incuro zibiri igihe ivyavuye mu bipimo vy'umwimbu wa mbere basanze bidashemeye.

Ku bwoko bw'imbuto buva mu bihugu atari ibigize Umuryango Umuryango wa Afirika y'Ubuseruko canke Ishirahamwe ry'ibihugu vyo mu buseruko no mu bumanuko bw'Afirika bigize isoko rusangi, ibiringo bibiri vyo kugerageza izo mbuto birakwiye kugira ubwoko bw'imbuto bwemezwe.

Ariko, ibikorwa vy'ukugerageza kwemeza ubwoko bw'imbuto bigirwa n'Igisata c'igihugu kijejwe kugira ubushakashatsi mu vy'uburimyi hamwe n'ikigo kijejwe kwemeza ubwoko bw'imbuto mu Burundi.

Article 26 :
L'inscription au catalogue national des espèces et variétés homologuées donne lieu au paiement préalable de frais dont le montant et les modalités d'acquittement sont fixés par une ordonnance conjointe des ministres ayant respectivement l'agriculture et les finances dans leurs attributions.

Ingingo ya 26 :
Ukwandika mu gitabu c'igihugu c'itororokanirizo ry'imiryango n'ubwoko bw'imbuto bwemewe bigirwa habanje kurihwa amafaranga, igitigiri cayo n'ingene arihwa bigashingwa n'itegeko rusangi rishirwako umukono n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi hamwe n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Ikigega ca Reta.

Article 27 :
L'inscription d'une nouvelle variété au catalogue national des espèces et variétés est publiée au Bulletin Officiel du Burundi avec mention de l'identité du demandeur.

Ingingo ya 27 :
Ubwoko bw'imbuto bushasha bwanditswe mu gitabu c'itororokanirizo ry'imiryango n'ubwoko bw'imbuto buratangazwa mu kinyamakuru c'ibitegekwa mu Burundi, harandikwa kandi n'ibiranga uwasavye ko bwandikwa.

Une liste descriptive des variétés nouvellement homologuées et inscrites à l'usage des agriculteurs est publiée par l'Office National de Contrôle et de Certification des Semences au début de chaque campagne agricole.

Ikigo c'igihugu kijejwe gusuzuma n'ukwemeza imbuto kiratangaza urutonde rudondora ubwoko bw'imbuto bushasha bwemejwe kandi bwanditswe kugira bukoreshwe uko igihe c'irima iryo ari ryo ryose gitanguye.

CHAPITRE V : DE LA PRODUCTION, DE L'IMPORTATION, DE L'EXPORTATION ET DE LA COMMERCIALISATION DES SEMENCES CERTIFIEES

IGICE CA V: IVYEREKEYE UKUGWIZA IMBUTO ZEMEJWE, UKUZINJIZA MU GIHUGU, UKUZISHORA MU MAHANGA N'UKUZIDANDAZA

Section 1 : De la production de semences certifiées

Agace ka 1 : Ukugwiza imbuto zemejwe

Article 28 :
Le ministre ayant l'agriculture dans ses attributions fixe les procédures de production des semences certifiées après l'avis de la commission nationale semencière.

Ingingo ya 28 :
Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi arashinga, abicishije mw'itegeko nshikiranganji ibikurikizwa mu kugwiza imbuto zemejwe.

Article 29 :
La coordination et la supervision des activités de production, d'importation, d'exportation et de commercialisation des semences certifiées sont assurées par le ministre ayant l'agriculture dans ses attributions.

Ingingo ya 29 :
Uguhuza n'ugukurikiranira hafi ibikorwa vyerekeye ukugwiza imbuto zemejwe, ukuzinjiza mu gihugu, ukuzishora mu mahanga n'ukuzidandaza bigirwa n'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi.

Article 30 :
Les privés disposant des laboratoires pour la production des vitro plants ou ayant des serres remplissant les normes pour produire des mini tubercules ou des semences de souches peuvent investir dans la production des semences de première génération. L'accompagnement à cet effet est assuré par l'Institut des Sciences Agronomiques du Burundi.

Une ordonnance du ministre ayant l'agriculture dans ses attributions détermine les conditions de production des semences de première génération par les privés.

Ingingo ya 30 :
Abikorera utwabo bafise amasuzumiro mu ntumbero y'ukurondorera imivyaro mu turahure canke ukuyibundikira akwije ibisabwa mu kugwiza imbuto zamira mu kuzimu canke imbuto nkomoko, barashobora kuja mu barwizambuto zo ku rugero rwa mbere. Ivyo bikorwa bikurikiranwa n'Igisata c'ubuhinga mu bijanye n'uburimyi mu Burundi.

Itegeko ry'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi riratomora ivyo abikorera utwabo basabwa kugira bagwize imbuto zo ku rugero rwa mbere.

Article 31 :
La production des semences certifiées peut être effectuée par toute personne physique ou morale agréée par l'ONCCS.

Ingingo ya 31 :
Ukugwiza imbuto zemejwe bishobora gukorwa n'umuntu wese canke ishirahamwe ryose ryemerewe gukora n'ikigo ONCCS.

Article 32 :
La production des semences certifiées doit faire l'objet de déclaration avant et après chaque saison culturale auprès de l'Office National de Contrôle et de Certification des Semences.

Ce dernier transmet au ministre ayant l'agriculture dans ses attributions une synthèse de toutes les déclarations ainsi que les décisions prises.

Ingingo ya 32 :
Ukugwiza imbuto zemejwe bitegerezwa kumenyeshwa ikigo c'igihugu kijejwe ugusuzuma n'ukwemeza imbuto imbere yuko igihe c'irima gitangura n'iyo caheze.

Ico kigo kirashikiriza umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi icegeranyo c'ivyo vyose vyamenyeshejwe n'ingingo zafashwe.

Article 33 :
La multiplication des semences à des fins de commercialisation d'une variété protégée requiert au préalable l'autorisation de l'obtenteur de cette variété.

Toutefois, l'autorisation n'est pas obligatoire lorsque la variété est utilisée comme source de variation en vue de développer de nouvelles variétés.

Ingingo ya 33 :
Ukugwiza imbuto mu ntumbero y'ukudandaza ubwoko bw'imbuto bukingiwe bigirwa uwahinguye canke uwubuye ubwo bwoko bw'imbuto abanje kubitangira uruhusha.

Ariko, urwo ruhusha ntirurinda gusabwa mu gihe ubwo bwoko bw'imbuto bukoreshwa mu ntumbero yo kugwiza ubwoko bw'imbuto bushasha.

Section 2 : De l'importation des semences certifiées

Article 34 :
Toute importation de semences certifiées est soumise à une autorisation préalable du ministre ayant l'agriculture dans ses attributions afin de s'assurer de la qualité phytosanitaire et de prévenir les risques environnementaux.

Les semences proposées à l'importation doivent répondre aux normes phytosanitaires nationales, régionales et internationales.

Les variétés autorisées à l'importation doivent être inscrites au catalogue national des variétés, excepté celles introduites à des fins de recherche.

Article 35 :
Lors de l'importation, les semences ou plants doivent être accompagnés d'un certificat d'origine, d'un certificat phytosanitaire et d'une étiquette.

Les indications portées sur les certificats ou les étiquettes ne peuvent prévaloir sur les résultats d'analyses effectuées après prélèvement par les agents de l'Office National de Contrôle et de Certification des Semences.

Article 36 :
Une ordonnance du ministre ayant l'agriculture dans ses attributions détermine les conditions d'admission à l'importation de semences certifiées.

Agace ka 2 : Ukwinjiza mu gihugu imbuto zemejwe

Ingingo ya 34 :
Ukwinjiza mu gihugu imbuto zemejwe bigirwa n'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi abanje kubitangira uruhusha kugira yitwararike kumenya ko ibiterwa bimeze neza no gukinga impanuka zishobora gushika zijanye n'ibidukikije.

Imbuto zisabirwa kwinjizwa mu gihugu zitegerezwa kuba zikwije ibisabwa n'amategeko agenga ibijanye n'ukuvura n'ugukingira ibiterwa yo mu gihugu, ay'akarere na mpuzamakungu.

Ubwoko bw'imbuto burekuriwe kwinjizwa mu gihugu butegerezwa kwandikwa mu gitabu c'itororokanirizo ry'ubwoko bw'imbuto c'igihugu, kiretse ubwinjijwe mu gihugu mu ntumbero y'ukugira ubushakashatsi.

Ingingo ya 35 :
Mu gihe c'ukuvyinjiza mu gihugu, imbuto canke imivyaro bitegerezwa kuba biri kumwe n'urwandiko rwemeza amamuko yavyo, urwandiko rwemeza ko vyavuwe kandi bikingiwe hamwe n'ikimenyetso kibiranga.

Ivyandikwa ku nzandiko vyemeza amamuko no ku bimenyetso biranga imbuto canke imivyaro ntibishobora kuvuguruza ivyavuye mw'isuzuma ryakozwe kuri izo mbuto n'abakozi bo mu kigo c'igihugu kijejwe ugusuzuma n'ukwemeza imbuto.

Ingingo ya 36
Itegeko ry'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi riratomora ibisabwa kugira imbuto zemejwe zemererwe kwinjizwa mu gihugu.

Article 37 :
L'importation des semences et des plants génétiquement modifiés requiert une autorisation spéciale du ministre ayant l'agriculture dans ses attributions pour des fins de recherche par les institutions nationales habilitées.

Ingingo ya 37 :
Ukwinjiza mu gihugu imbuto n'imivyaro vyahinduwe kamere nkomoko kavyo bigirwa n'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi abitangiye uruhusha rudasanzwe gusa mu ntumbero y'ubushakashatsi bukorwa n'inzego zibifitiye ububasha.

Section 3 : De l'exportation des semences certifiées

Agace ka 3: Ugushora mu mahanga imbuto zemejwe

Article 38 :
Toute exportation des semences certifiées requiert l'obtention d'un certificat phytosanitaire délivré par l'autorité habilité.

Ingingo ya 38 :
Ugushora mu mahanga imbuto zemejwe bibanza gutangirwa urwandiko rwerekana ko imbuto zavuwe kandi zikingiwe rutangwa n'umutegetsi abifitiye ububasha.

Article 39 :
Une ordonnance du ministre ayant l'agriculture dans ses attributions détermine les conditions d'admission à l'exportation de semences certifiées.

Ingingo ya 39 :
Itegeko ry'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi riratomora ibisabwa kugira imbuto zemejwe zemererwe gushorwa mu mahanga.

Article 40 :
L'agrément à l'exportation des semences certifiées donne lieu au paiement d'une redevance dont le montant et les modalités d'acquittement sont fixés par ordonnance conjointe des ministres ayant respectivement l'agriculture et les finances dans leurs attributions.

Ingingo ya 40 :
Ukwemererwa gushora mu mahanga imbuto zemejwe bitegerezwa gutangirwa amafaranga, igitigiri cayo n'ingene arihwa bigatomorwa n'itegeko rusangi rishirwako umukono n'abashikiranganji mu vyo bajejwe harimwo, umwe w'uburimyi uwundi w'ikigega ca Reta.

Section 4 : De la commercialisation des semences certifiées

Agace ka 4 : Ukudandaza imbuto zemejwe

Article 41 :
Une ordonnance conjointe des ministres ayant respectivement l'agriculture et le commerce dans leurs attributions détermine les semences certifiées admises à la commercialisation.

Ingingo ya 41 :
Itegeko ry'abashikiranganji mu vyo bajejwe harimwo uburimyi n'ubudandaji ni ryo ryerekana imbuto zemejwe zemerewe kudandazwa.

Article 42 :
Le ministère en charge l'agriculture dans ses attributions, sur avis de la Commission nationale semencière, régule les prix des semences certifiées en tenant compte des coûts de production.

Ingingo ya 42
Ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo uburimyi, Umugwi w'igihugu ujejwe ivyerekeye imbuto umaze kugira ico ubivuzeko, buracungera ibiciro vy'imbuto zemejwe hafatiwe ku buryo bukoreshwa mu kugwiza imbuto.

Article 43 :
La commercialisation des semences certifiées requiert une autorisation préalable du ministre ayant l'agriculture dans ses attributions.
La présente disposition ne s'applique pas au producteur des semences certifiées qui vend sa propre production.

Ingingo ya 43 :
Ukudandaza imbuto zemejwe bigirwa ari uko umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi abanje kubitangira uruhusha.
Iyi ngingo ntikurikizwa ku mugwizambuto agurishije imbuto yiyimburiye zemejwe.

Article 44 :
La commercialisation des semences certifiées peut être organisée sous forme de foires.

Une ordonnance du ministre ayant l'agriculture dans ses attributions détermine les conditions et les modalités d'organisation des foires semencières.

Ingingo ya 44 :
Urudandazwa rw'imbuto zemejwe rushobora gutunganywa biciye mu mahayanishwagurisha.

Itegeko ry'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi riratomora ibisabwa n'ibikurikizwa mu gutunganya amahayanishwagurisha ajanye n'ivy'imbuto.

Article 45 :
Il est interdit de traiter les semences certifiées aux substances toxiques non conformes à la loi portant gestion des pesticides au Burundi.

Ingingo ya 45 :
Birabujijwe gushira imiti irimwo ubumara mu mbuto zemejwe, idategekanywa n'ibwirizwa ryerekeye itunganywa ry'imiti y'ibiterwa mu Burundi.

Article 46 :
Tout commerçant des semences certifiées doit tenir un registre personnel des transactions permettant de vérifier la quantité et la qualité des semences vendues et de garantir la traçabilité des semences destinées à la vente sur le territoire national.

Le commerçant transmet une copie du registre concernant l'année précédente à la direction ayant les semences et plants dans ses attributions qui à son tour, donne copie à l'ONCCS.

Ingingo ya 46 :
Umudandaza wese w'imbuto zemejwe ategerezwa kuba afise igitabu ciwe bwite yandikamwo ivyerekeye imbuto agurishije gituma hamenyekana urugero rw'imbuto zagurishijwe hamwe n'akaranga kazo kandi gituma hakurikiranwa inzira imbuto zigenewe kugurishwa mu gihugu zijana.

Umudandaza arashikiriza ikopi y'igitabu yerekana ivyakozwe mu mwaka uheze Ubuyobozi mu vyo bujejwe harimwo imbuto n'imivyaro na bwo bugaha ikopi ikigo ONCCS.

Article 47 :
Il est interdit au commerçant ambulant, non enregistré à la direction en charge des semences, d'exercer le commerce des semences certifiées.

Ingingo ya 47 :
Birabujijwe ko umudandaza ari mu babunza ibidandazwa, asanzwe atanditswe mu buyobozi bujejwe ivyerekeye imbuto, akora urudandaza rw'imbuto zemejwe.

CHAPITRE VI : DU DROIT D'OBTENTEUR D'UNE VARIETE

Article 48 :
Sans préjudice des spécificités particulières, tout emballage de semences certifiées destinées à la commercialisation doit faire l'objet d'un étiquetage officiel portant les mentions conformes aux normes de qualité prévues par la réglementation en vigueur. Tout emballage de semences certifiées et destinées à la vente, doit porter un logo identifiant le producteur et être scellé de façon à éviter sa contrefaçon selon les prescriptions prévues par ordonnance du ministre ayant l'agriculture dans ses attributions.

Article 49 :
Tout obtenteur d'une nouvelle variété remplissant les conditions requises peut bénéficier du droit d'obtention végétale conformément à la législation y relative.

Article 50 :
L'Etat veille à la préservation des ressources phytogénétiques traditionnelles en tant que patrimoine national.

IGICE CA VI : IVYEREKEYE UBURENGANZIRA BW'UWAHINGUYE CANKE UWUBUYE UBWOKO BW'IMBUTO

Ingingo ya 48 :
Hatirengagijwe ubudasa bwiharijwe, igitekerwamwo cose imbuto zemejwe zigenewe kudandazwa gitegerezwa kugira ikimenyetso kizwi n'amategeko kimadikwa ku bitekerwamwo imbuto kiriko ivyemeza ubuziranenge nk'uko bitegekanijwe n'amategeko ariko arakurikizwa. Ico cose gitekerwamwo imbuto zemewe kandi zigenewe kudandazwa, gitegerezwa kugira ikimenyetso ndanga mugwizambuto kandi kikugarwa neza ku buryo kidasubirwamwo nk'uko bitomorwa n'itegeko ry'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi.

Ingingo ya 49 :
Uwo wese yahinguye canke yubuye ubwoko bushasha bw'imbuto zikwije ibisabwa arashobora kuronswa uburenganzira bw'uwahinguye canke uwubuye ubwoko bw'ikimera hisunzwe amategeko y'igihugu abigenga.

Ingingo ya 50 :
Reta iritwararika kubungabunga ibiterwa bikomokanako kama bifatwa nk'amatungo bwite y'Igihugu.

CHAPITRE VII : DES DISPOSITIONS PENALES

Section 1 : De la recherche, de la constatation des infractions et des saisies

Article 51 :
Sans préjudice des dispositions du Code de procédure pénale en matière de recherche et de constatation des infractions, les agents de l'Office National de Contrôle et de Certification des Semences et de la direction en charge des semences et plants, chargés du suivi et du contrôle de la qualité des semences jouent le rôle d'officier de police judiciaire à compétence restreinte.

Article 52 :
Les infractions découlant de la violation de la présente loi sont recherchées et constatées par le ministère public qui se saisit d'office ou sur plainte du ministre ayant l'agriculture dans ses attributions.

Article 53 :
Toute saisie effectuée par les agents de l'Office National de Contrôle et de Certification des Semences et de la direction en charge des semences et plants chargés du suivi et du contrôle de la qualité des semences fait l'objet d'un procès-verbal.

Article 54 :
Les semences de qualité non conformes ou irrégulièrement commercialisées sont saisies, détruites ou vendues aux enchères publiques sur décision de l'autorité compétente.

IGICE CA VII : IVYEREKEYE INGINGO MPANAVYAHA

Agace ka 1 : Ugutohoza ivyaha, ukubona ko vyakozwe n'ugufata ibintu

Ingingo ya 51 :
Hatirengagijwe ingingo zo mu gitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa mu vyerekeye ugutohoza ivyaha n'ukubona ko vyakozwe, abakozi b'ikigo c'igihugu kijejwe gusuzuma no kwemeza imbuto n'ab'ubuyobozi mu vyo bujejwe harimwo imbuto n'imivyaro basanzwe bajejwe ugukurikirana n'ugusuzuma akaranga k'imbuto barafise ububasha nk'ubw'inyamiramabi ariko bufise aho bugarukira.

Ingingo ya 52 :
Ivyaha bijanye n'ukurenga ku bitegekanijwe n'iri bwirizwa bitohozwa kandi bikagirirwa icegeranyo c'ivyabonywe n'Umushikirizamanza wa Repuburika aho ashobora gutohoza urubanza atawurinze kwitwara canke bisabwe n'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uburimyi.

Ingingo ya 53 :
Ifatwa ry'imbuto ryose n'abakozi b'ikigo c'igihugu kijejwe gusuzuma n'ukwemeza imbuto n'ab'ubuyobozi bujejwe ivyerekeye imbuto n'imivyaro bashinzwe gukurikirana n'ugusuzuma akaranga k'imbuto, riragirirwa icegeranyo.

Ingingo ya 54 :
Imbuto zifise akaranga kadahuye n'ibisabwa canke zidandazwa hadakurikijwe amategeko zirafatwa, zigatabwa canke zikagurishwa icamunara birekuwe n'inzego zibifitiye ububasha.

Section 2 : Des sanctions

Article 55 :
Est puni d'une servitude pénale de deux à cinq ans (2 à 5 ans) et d'une amende de cinq millions à dix millions de francs burundais (5 000 000 à 10 000 000 BIF), toute personne physique ou morale qui, personnellement ou son préposé :

1° offre pour vente, vend, distribue par tous les moyens des semences préalablement certifiées mais périmées, infectées ou infestées ;

2° fait de fausses déclarations ;

3° distribue des semences produites à partir des champs non préalablement déclarés et enregistrées pour la production des semences en les faisant passer pour des semences certifiées ;

4° ne détient pas le registre de transactions des semences ;

5° pratique du commerce déloyal telle que la falsification de semences, la publicité trompeuse et la manipulation des marchés.

En cas de récidive, le contrevenant est puni d'une servitude pénale de cinq à dix ans (5 à 10 ans) et d'une amende de dix millions à quinze millions de francs burundais (10 000 000 à 15 000 000 BIF).

Article 56 :
Est puni d'une servitude pénale de cinq à dix ans (5 à 10 ans) et d'une amende de dix millions à vingt millions de francs burundais (10 000 000 à 20 000 000 BIF), quiconque :

Agace ka 2 : Ibihano

Ingingo ya 55 :
Ahanishwa umunyororo uri hagati y'imyaka ibiri n'imyaka itanu (imyaka 2-5) n'ihadabu iri hagati y'amafaranga y'amarundi imiriyoni zitanu n'imiriyoni cumi (5 000 000-10 000 000 z'amafaranga y'amarundi), umuntu wese canke ishirahamwe ryose haba ku gatwe kiwe canke umukozi w'ishirahamwe :

1° atanze kugira hadandazwe, agurishije, akwiragije biciye mu buryo ubwo ari bwo bwose imbuto zari zaremejwe ariko zononekaye, zifise ingwara canke zibunzwe ;

2° amenyesheje ibitari ivy'ukuri ;

3° atanze imbuto zimbuwe mu mirima itabanje kumenyeshwa kandi izo mbuto zitari bwandikishwe mu ntumbero yo kugwiza imbuto azita ko zemewe ;

4° adafise igitabu yandikamwo imbuto agurishije ;

5° akoze urudandazwa rudakurikije amategeko nk'uguhindura akaranga k'imbuto, ukumenyekanisha imbuto biciye mu bubeshi hamwe n'ukubesha ku bijanye n'ibiciro ku masoko.

Mu gihe adahashe, uwarenze itegeko ahanishwa umunyororo uri hagati y'imyaka itanu n'imyaka cumi n'ihadabu y'amafaranga y'amarundi ari hagati y'imiriyoni cumi n'imiriyoni cumi na zitanu (10 000 000-15 000 000) z'amafaranga y'amarundi.

Ingingo ya 56 :
Ahanishwa umunyororo uri hagati y'imyaka itanu n'imyaka cumi (imyaka 5-10) n'ihadabu y'mafaranga y'amarundi ari hagati y'imiriyoni cumi n'imiriyoni mirongo ibiri (10 000 000-20 000 000) z'amafaranga y'amarundi uwo wese :

1° tente de commercialiser ou commercialise des semences non certifiées en les faisant passer pour des semences certifiées par un transvasement frauduleux ou une modification frauduleuse de l'étiquette que la réglementation oblige à joindre jusqu'au moment de leur utilisation ;

2° modifie, falsifie, contrefait les documents délivrés par les services habilités ;

3° importe ou exporte frauduleusement des semences ;

4° commercialise à titre professionnel des semences certifiées sans avoir reçu l'agrément.

Article 57 :
Est puni d'une servitude pénale de dix ans ferme et d'une amende de vingt-cinq millions de francs burundais (25 000 000 BIF), quiconque distribue ou vend des semences toxiques aux fins de consommation.

Article 58 :
Est puni d'une servitude pénale de 5 à 10 ans et d'une amende de quinze à vingt-cinq millions de francs burundais (15 000 000 à 25 000 000 BIF) quiconque distribue ou vend des semences dans des emballages portant étiquette d'autrui.

Article 59 :
Est puni des mêmes peines tout agent public, qui se rend coupable de la complicité aux infractions prévues aux articles 55, 56, 57 et 58 de la présente loi.

1° agerageje kudandaza canke adandaje imbuto zitemejwe akazifata nk'imbuto zemejwe mu kuzishira, biciye mu busuma, mu gitekerwamwo imbuto zemejwe canke mu guhindura biciye mu nzira za magendu ikimenyetso kiranga izo mbuto kandi amategeko ategekanya ko kigumako gushika izo mbuto zikoreshejwe ;

2° ahinduye inzandiko zitangwa n'ibisata bibifitiye ububasha, ahinduye ivyanditseko, yiganye izo nzandiko ;

3° yinjije mu gihugu canke ashoye mu mahanga imbuto hakoreshejwe ubusuma ;

4° akoze umwuga w'ukudandaza imbuto zemejwe atarabironkera uruhusha rutegekanijwe.

Ingingo ya 57 :
Ahanishwa umunyororo w'imyaka cumi n'ihadabu y'amafaranga y'amarundi imiriyoni mirongo ibiri na zitanu (25 000 000) uwo wese akwiragije canke agurishije imbuto zirimwo ubumara kugira ngo zifungurwe.

Ingingo ya 58 :
Ahanishwa umunyororo uri hagati y'imyaka itanu n'imyaka cumi n'ihadabu ry'amafaranga y'amarundi ari hagati y'imiriyoni cumi na zitanu n'imiriyoni mirongo ibiri na zitanu (15 000 000-25 000 000) z'amafaranga y'amarundi, uwo wese akwiragiza canke adandaza imbuto mu bitekezo vy'abandi.

Ingingo ya 59 :
Ahanishwa ibihano bimwe umukozi wese wa Reta yagiriwe no kwifadikanya mu vyaha bitegekanijwe mu ngingo za 55, 56, 57 na 58 z'iri bwirizwa.

CHAPITRE VIII : DES DISPOSITIONS FINALES

Article 60 :
Toutes les dispositions antérieures contraires à la présente loi sont abrogées.

Article 61 :
La présente loi entre en vigueur le jour de sa promulgation.

Fait à Gitega, le 29 mai 2026

Evariste NDAYISHIMIYE.-

PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,

LE MINISTRE DE LA JUSTICE, DES DROITS DE LA PERSONNE HUMAINE ET DU GENRE

Alfred AHINGEJEJE

IGICE CA VIII : IVYEREKEYE INGINGO ZISOZERA

Ingingo ya 60 :
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa zirafuswe.

Ingingo ya 61 :
Iri bwirizwa ritangura gukurikizwa kuva umusi ritangarijweko.

Bigiriwe i Gitega, ku wa 29 Rusama 2026

NDAYISHIMIYE Evariste.-

KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,

UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE, AGATEKA KA ZINA MUNTU N'ITERAMBERE RIDAKUMIRA

AHINGEJEJE Alfred